# Ni inde akora iki mu nzego z'uburongozi bwa Vermont? Ng'uyu umuyoboro ku bantu ba Vermont mu kwitegurira gutora.

Hari abayobozi batandatu muri Vermont bakorera Leta yose, iruhande y'abakenguzamateka 180 bahagarariye uturere dutoduto. Ibi bibanza vyuzuzwa biciye mu matora nyezina buri myaka ibiri muri Munyonyo. Imigambwe itatu mikuru mikuru mu gihugu irishiriraho amazina y'abayobozi biciye mu matora y'ibanze aba muri Myandagaro.

Uyu mwaka amatora nyezina azoba kw'igenekerezo rya 5 Munyonyo 2024.

Mu gihe abatora bariko bitegurira kwuzuza ibi vyicaro muri iyi myaka ibiri, VTDigger yaratanze icegeranyo c'ivyo umwumwe wese ashinzwe:

## Abakenguzamateka

Abagize inama nshingamateka na nkenguzamateka barashikiriza, bagaharira bakongera bakemeza amategeko agenga Leta. Bafise uruhara rukuru mu kwandika integuro y'amafaranga Leta ikoresha mu mwaka, ari navyo vyerekana ukuntu Vermont ikoresha amatungo, bakongera bagashinga amategeko agenga amakori . Inama nkenguzamateka iremeza ingingo zimwe zimwe za buramatari zishiraho abantu nk'abacamanza, bakongera bagakurikiranira hafi ibikorwa n'urwego nshingwabikorwa. N'ubwo iyo migwi ibiri ifise inguvu zingana, inama nkenguzamateka ya Vermont igizwe n'abantu 30, kandi bagatogwa hisunzwe intara zose, mu gihe inama nshingamateka yo ifise abantu 150 bo baserukira ahanini igice gito c'ibisagara canke agace k'igisagara.

## Buramatari

Buramatari wa Vermont atwara urwego nshingwabikorwa. Uwuyoboye ibiro arashiraho abatwara amashami n'ibisata ashinzwe ibikorwa vya Leta, hamwe n'abacamanza bo kurwego rwa Leta. Buramatari arashikiriza integuro y'amafaraga Leta izokoresha mu nama nshingamateka ku mwaka ku mwaka kandi bafise veto kw'irengana ryayo havuyemwo ibintu bimwebimwe. Uyu muntu arategura amategeko ya Leta akongera agashira mu bikorwa amafaranga Leta ikoresha. Buramatari arakurikirana i Inteko z'Igihugu Zirinda Vermont akongera akagira n'ububasha bwo kuzongereza mu bihe bihambaye.

## Icegera ca Buramatari

Igikorwa c'icegera ca Buramatari wa Vermont kigaragarira ahanini mu misi mikuru. Umuyobozi afasha nk'uwurongoye inama nkenguzamakeka ya Vermont, ashobora gutora mu gihe habaye ukunganya amajwi. Icegera ca Buramatari aza mu kibanza ca Buramatari agakora ivyo Buramatari yari gukora mu gihe atahari canke atavyo agishoboye. Kenshi bidaciye ku mugaragaro, abantu barakoresheje ico gihagararo mu gukora ubuvugizi no guhamagarira abanya Vermont mu guharira ku bibazo bikomeye vyerekeye Leta.

## Umuhanuzi mukuru

Umuhanuzi mukuru muri Vermont ayoboye ibiro, nka kurya kw'umuhanuzi mu karere, Umuhanuzi mukuru arahagararira Leta mu bikorwa vyose vy'abanyagihugu basanzwe hamwe n'ibibazo bijanye n'ubutungane. Umuhanuzi mukuru yita cane cane ku bibazo bikomeye muri Leta n'ibijanye n'ubutungane ku rwego rw'igihugu – akiyunga n'ayandi ma leta mu gihe c'amatati. Abacamanza mu biro barafasha mu guha impanuro abayobozi bo mu bisata n'amashami ku bibazo bijanye n'amategeko. Barashigikira ibikorwa bijanye n'amategeko hamwe n'ubutegetsi mu bucamanza. Ibiro biraha inguvu amategeko ya Leta ku gateka

k'abantu, bagatanga ubufasha mu bijanye n'uburyo hamwe no gukingira abaguzi hamwe na cane cane mu bice hari ivyaha biri mubutungane, harimwo intumbero ku birwanisho, ivyaha vyo ku buhinga ngurukanabumenyi n'urudandaza rwo mukinwabi rwa'abo mu gisata c'ubuvuzi kumugambi wa Leta wa Medicaid.

## Umunyabigega

Umunyabigega wa Leta ya Vermont atwara ibiro bikora nk'ibanki ku bikorwa vya Leta yose. Umunyabigega agenzura amakonte ya Leta, harimwo ugutunganya amasheke no gutunganya irihwa ry'abadandaje hamwe no guhemba abakozi. Ibiro biratunganya aho Leta ishira imitahe ivuye mu butunzi ibitse hamwe n'iriha ry'ivyo itegerezwa. Birakurikirana imigambi mikurumikuru ya Leta ijanye no gukukuruka kw'abakozi hamwe n'utundi turusho tw'abakozi ba Leta, abigisha hamwe n'abakozi bo mu buyobozi bw'ibisagara. Birakira, bikabika, bikongera bikarondera gusubiza ubutunzi bwahebwe canke butagira ababwegukira.

## Umunyamabanga wa Leta

Umunyamabanga wa Leta Ya Vermont ayoboye umugwi ufise ibikorwa vyinshi nyamukuru bijanye n'uburongozi, kuva ku gucungera ubuziranenge mu matora gushika no guharanira ikibanza ca Leta mu mateka. Mu bindi bikorwa ibiro bifise harimwo gutanga impusha, bigakora amatohoza bikongera bigatanga intumbero ku bantu bafise ubuzi burenga 50. Birakora ivyegeranyo ku bikorwa vy'ubutunzi ku mashirahamwe yahawe gukorera mu karere k'iyo Leta. Iruhande yo gucungera amatora ibiro birakira bikanabika ivyegeranyo vy'uburyo bwakoreshejwe mu bikorwa, hamwe n'iyandikwa ry'abakora ibikorwa vya politike.

## Umugenduzi w’amakonte

Umugenduzi w’amakonte wa Leta ya Vermont arondera kwegeranya ibiharuro vy’ubutunzi bw’inzego zitwara akongera agasuzuma uko uburyo buva mu makori bukoreshwa. Ibiro vy’Umugenduzi w’amakonte birakora bikongera bigatera umukono isuzumwa ry’ubutunzi ritandukanye z’ibikorwa, ivyinjira n’ibisohoka muri Leta. Birakurikirana ku mwanya ku mwanya mu guter’imbere hisunzwe isuzumwa mu kuraba ko umugambi runaka uriko uragera kw’ihangiro canke ko igisata canke ishami runaka ririko rirangura neza ibikorwa.